# Iraporo zandikiwe abanyeshuri bo mu mashuri y'intango n'amashuri yisumbuye .

ivyo vyegeranyo vyanditsw
ashigikira umwana wawe k

Ivyo abigisha bategura,bigis
bakoreshej Australan Orric

. Umwidondoro w' Ivyigwa vyo muri Australia werekana ivyo abanyeshuri bose bategerezwa kwigishwa , hamwe n'ivyo bakwiriye kumenya ; n'ivyo bakwiriye kuba bashobora gukora uko babandanya amashuri yabo.

Igisata cose mu vyo biga kirafise ico gitegekanya ko bakwiye kuba bashitseko. Ivyo ivy'ivyo vyirwa bishaka gushikako birasiguwe neza mu rurimi rwumvikana ari vyo abanyeshuri bategerezwa kuba bazi, batahura, kandi bashoboye gukora , ku mpera y'umwaka w'ivyirwa wose.

Urahimirijwe gusoma ivyo twipfuza gushikako ku cirwa ico ari co cose kandi ku mwaka wose kandi n'igihe abanyeshuri bitegwa ko boba babishitseko ku buhinga ngurukanabumenyi ubu bukurikira bwa Australia:
www.australiancurriculum.edu.au

## Amanota A-E asigura iki?

Amanota A–E canke ayandi majambo nkayo arakoreshwa n'abigisha kugira ngo batange icegeranyo c'ivy'abanyeshuri bashitseko bafatiye ku vyitezwe n'urutonde rw'ivyigwa rwa Australia. Ayo manota yerekana ibintu bitandukanye abanyeshuri bashitseko uhereye ku bito ugashitsa ku manota yo hejuru cane.

Uru rutonde rukurikira rwerekana ayo manota mu majambo.

| | Dufatiye ku bisabwa k'umwana ashikako, umwana wawe … |
|---|---|
| A | Agaragaza ko yashitse ***ku kintu kinini*** dufatiye ku vyo asabwa muri uyu mwaka arimwo. |
| B | Agaragaza ko yashitse ku ***bintu vyiza*** dufatiye ku vyo baba bitezweko uwo mwaka. |
| C | Agaragaza ko yashitseko ***gihagije*** dufatiye ku vyo aba yitezweko ku rwego rw'uwo mwaka. |
| D | Agaragaza ko hari ***bimwe mu vyo*** yashitseko mu vyo yari yitezweko uyu mwaka. |
| E | Agaragaza ko yashitse kuri ***bike*** mu vyo yari yitezweko. |